
LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "

# BULLETIN HEBDOMADAIRE "Iteka n'Ijambo"

Uwo uri wese ubahirizwa

**Nomero 510 yo kuva kuwa 19 gushika kuwa 25 Nzero 2026**

*Ryemejwe n'itegeko shikiranganji n°530/0273 ryo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma 1991*






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 25Nzero 2026, abantu bashika 852 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 86 barasubiye kuboneka abandi 768 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

[1] https://docs.un.org/fr/A/HRC/57/54


**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32.

**IBIRIMWO**

*0. INTANGAMARA…………………………………………………………………………P.5*
*I. UMWIHWEZO……………………………………………………………………………P.5*
*II. UBURENGANZIRA KU BIGENGA NA POLITIKE……………………………………P.10*
*III. UBURENGANZIRA KU BUTUNZI,IMIBANO N'IMICO KAMA……………………P.15*
*IV. UGUSOZERA N'IBISABWA…………………………………………………………P.19*

***INDINGANIZO NSHASHA Y'INTWARO KUVA KUWA 16 NTWARANTE 2023***



# *IMPFUNYAPFUNYO*

| | |
|---|---|
| ***CNDD-FDD*** | *: Inama y'igihugu iharanira Demokarasi-urunani rukingira Demokarasi* |
| ***CNL*** | *: Ihuriro ry'igihugu riharanira umwidegemvyo* |
| ***DCE*** | *: Ubuyobozi bw'indero muri komine* |
| ***DG*** | *: Umuyobozi mukuru* |
| ***DPE*** | *: Ubuyobozi bw'indero mu ntara* |
| ***ECOFO*** | *: Ishure shingiro* |
| ***FOMI*** | *: Ihinguriro ry'ifumbire* |
| ***GTDFI*** | *: Umurwi w'igikorwa kiraba ababuzwe irengero* |
| ***M23*** | *: Umuhari wo kuwa 23 Ntwarante* |
| ***ONU*** | *: Ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe* |
| ***RDC*** | *: Repuburika iharanira demokarasi muri Kongo* |
| ***SIDA*** | *: Indwara iterwa n'umugera VIH* |
| ***SNR*** | *: Igendereza ry'igihugu* |
| ***UE*** | *: Ubumwe bwa Buraya* |
| ***VIH*** | *: Umugera utera ingwara ya SIDA* |

# *URUTONDE RW'IBIRIMWO*

*0. INTANGAMARARA ..........................................................................................5*

*I.UMWIHWEZO.......................................................................................................5*

*I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE..................................................................................5*

*I.2. UBURENGANZIRA RW'UMUTEKANO.......................................................................7*

*I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO.....................................................................................8*

*II. UBURENGANZIRA BW'UKWIGENGA NA POLITIKE .............................................10*

*II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA..........................................................................10*

*II.1.1. UBWICANYI BUTEGUYE.....................................................................................10*

*II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'ABICANYI BATARAMENYEKANA CANKE IBIZIGA VYATOWE...................................................................................................................10*

*II.2. UGUSHIKIRANA ...................................................................................................12*

*II.2.1. UGUFATA KUNGUVU.........................................................................................12*

*III. UBURENGANZIRA KU BUTUNZI,UMUBANO N'IMICO KAMA*

*III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI ..........................................................................14*

*III.2. INTERERANO Z'AGAHOTORO UMUGAMBWE URI KU BUTEGETSI CNDD-FDD ISABA ABANYAGIHU ..........................................................................................15*

*III.3. UBURENGANZIRA KU NDERO ..........................................................................16*

*III.4. UBURENGANZIRA KU MAGARA.........................................................................17*

*IV. UGUSOZERA N'IBISABWA.....................................................................................19*

## 0. INTANGAMARARA

Icocegeranyo cerekana uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi mu ndwi yo kuva kuwa 15 gushika kuwa 21 Kigarama 2025. Muri iki cegeranyo, umuhari Iteka urihweza kandi ingorane za politike, izo gufasha abantu, umutekano, ubutungane hamwe n'intwaro. Kirihweza kandi ibintu vyerekana ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu no muri politike, uburenganzira bw'ubutunzi, imibano n'imico kama.

Amabi akorerwa agateka ka zina muntu yabonetse kandi yatohojwe n'umuhari Iteka yifashe ugukwirikira muri iki kiringo : n'imiburiburi abantu 5 barishwe harimwo 4 batowe ari ibiziga n'umwe yishwe mu kwihora, 8 bafashwe ku nguvu harimwo abakobwa bakiri abana7 .

Imbonerakure z'umugambwe CNDD-FDD, abapolisi hamwe n'abatware nibo bagirizwa ahanini kuba bakora ayo mabi yo guhohotera agateka ka zina muntu.

## I. UMWIHWEZO

### I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE

***Icuka kibi hagati y'urwaruka rw'Imbonerakure z'umugambwe CNDD-FDD n'umunyamabanga wa komine w'uwo mugambwe muri komine Ruyigi***

Icuka kibi hagati y'urwaruka rw' Imbonerakure z'umugambwe CNDD-FDD n'umunyamabanga w'uwo mugambwe muri komine Ruyigi. Inyuma y'urupfu rw'umusore w'Imbonerakure yitwa Hamissi, azwi kw'izina rya mangue, icuka kibi carabandanije muri CNDD-FDD. Twibutse ko, Hamissi yapfuye inyuma yo gukubitwa n'abapolisi kw'itegeko rya NKUNZIMANA Fiacre, umunyamabanga wa komine Ruyigi. Ivyo vyatanguye mugihe Hamissi yasaba imifuko y'isima 50 ku mudandaza, yemeza ko ari Fiacre yamurungitse kandi yari afise n'urupapuro ruriko umukono.

Munyuma, Fiacre yarahakanye ko yamuhaye uburenganzira ivyatumye Hamissi ahagarikwa. Mu munyororo, yarahakanye ivyo yagirizwa aca avuga ko ari Fiacre yari kuvyishura. Fiacre kuva aho yaciye ategeka abapolisi bamukorerako, baca baramukubita gushika ate ubwenge. Hamissi yaciye ajanwa ku bitaro vya Ruyigi hanyuma aracikana. Inyuma y'urupfu rwiwe, urundi rwaruka rw'Imbonerakure rwarashavuye, bibaza ko uko ariko babahemba iyo bakurikije amategeko ya Fiacre. Birakenewe ko tumenyesha ko kuva mu mwaka wa 2010 gushika muri 2016, Fiacre yari umukuru w'Imbonerakure kandi urwo rwaruka nyene kenshi rwaramukingira, ari mu mabi nk'ukuboreza igufa abantu hamwe no kunyuruza, cane cane ku banywanyi b'imigambwe itavuga rumwe na Reta nka FNL hamwe na MSD, gushika aho Fiacre atazirwa « GIHAHE » kubera ivyo akora. Urwaruka rw'Imbonerakure rwavugwa cane ni : Ernest (batazira Kamoteri), Abdoul, Célestin, Nyabenda na Méthode (agendesha imodoka ya ONPRA). Barapfunzwe mu Ruyigi muri 2018, bagirizwa ko bagerageje kwica umunyamabanga wa CNDD-FDD, BARUTWANAYO Gérard, ubu ari umunyamabanga wa mbere mu ntara ya BUHUMUZA.

Kubwo amatohoza, ibihangange nk'uwahoze ari buramatari Abdallah hamwe n'umwubahwa Claude BIKINAMUCI, ubu ari mu buhungiro, nawe nyene yarimwo. Muri ico gihe, ugo rwaruka Imbonerakure rwari rwarasubiriye abajejwe umutekano mu gukingira buramatari Abdallah. Kugira bagarukane ituze, umugwi w'inararibonye z'umugambwe warashizweho kugira ubahuze.

## I.1.UMWIHWEZO WA POLITIKE (Ibikurukira urupapuro rwa 5)

### *Ukwerekana no guhindura itegeko rigenga igipolisi mu ku Burundi*

Kuri uyu wa kabiri Nzero 2026, General de Brigade Léonidas NDARUZANIYE, umushikiranganji w'intwaro yo hagati hamwe n'iterambere ry'amakomine, yarahamagariwe kuja imbere y'inama nshingamateka kugira ashikirize itegeki numero 1 ryo kuwa 27 Nyakanga 2026 rijanye n'ukurungikwa mu butumwa, n'itunganywa, n'ibirigize hamwe igipolisi c'igihugu c'Uburundi n'ingene gikora, mu ntumbero yo kurihindura. Muri iryo sasa, harimwo ibibazo, abashingamateka barerekanye ibibazo vyinshi nyamukururu kuvyerekeye imigozi y'igipolisi c'igihugu c'Uburundi iri mu mabarabara makuru ahuza igisagara n'intara. Naho iyo migozi yashizweho kugira bakomeze umutekano y'ukwiyunguruza, abashingamateka barasavye umuco umushikiranganji akamaro kayo mugihe ivyo bibanza vyo kugenzura ubu binegurwa n'abahaca. Abagendesha imodoka benshi ntibavuga gusa ubwinshi bwabo,ariko ukwibonekeza kw' igiturire mu ba polisi bakorera kw' ivyo birindiro. Twobamenyeshako umushikiranganji yagerageje gusigura akamaro k'ivyo birindiro vy'igenzura, akemeza ko bahari kumvo z'umutekano, kandi ko atari vyiza kubakuraho, nk'uko abashingamateka babimuhanuye. Yararerekanye kandi ko ihinduka ry'itegeko rigenga abaplisi b'Uburundi rizofasha gukosora aho batakora neza, nko muvyerekeye kurwanya igiturire.

### *Amasengesho mpuzamadini categuwe n'umugambwe CNDD-FDD muri komine n'intara ya Gitega*

Hari ku musi wa kane kuwa 22 Nzero 2026 aho huguruwe ku mugaragaro amasengesho mpuzamadini, igikorwa carongowe na CNDD-FDD, kikabera kukibuga Ingoma,kiri muri komine n'intara ya Gitega. Ayo masengesho yaranzwe n'ibimenyetso bifise insiguro,afise icivugo "**Umurongozi mwiza ni uwutanga akarorero kubo arongoye**". Cari gishingiye ku murongo wa bibiriya muri Tito 2 :7-8, gihamagarira umwe wese kuba akarorero mu bikorwa vyiza, n'icivugo gitomoye kandi kitagira amahinyu, mu ntumbero yo kuzibagiza ivyo banegurwa n'abo batavuga rumwe.

Kubwo umurorerezi yari ahari, ico gikorane cakoranije ibihangange vyinshi bivuye mu mpande zitandukanye z'igihugu, harimwo umukuru w'igihugu Evariste NDAYISHIMIYE n'umutambukanyi wiwe, icegera c'umukuru w'igihugu, umushikiranganji wa mbere, umukuru w'inama nshingamateka hamwe n'abashikiranganji, abashingamateka, abakenguzamateka hamwe n'umuhuza. Abanyagihugu bo mu mihingo itandukanye y'intara ya Gitega nabonyene barabihurije kuza muri ayo masengesho. Twobamenyesha ko ico gikorane categuwe n'umugambwe CNDD -FDD, camaze imisi 3 ikurikirana, kuva kuwa 22 gushika kuwa 24 Nzero 2026, kandi cagira 3,inyuma y'icari kirongowe n'umukuru w'igihugu Evariste NDAYISHIMIYE mu mpera z'umwaka 2025, hakwirikira ico umuryango w'umunyamabanga mukuru w'umugambwe, Révérien NDIKURIYO, muntango z'uyu mwaka wa 2026.

Uwo uri wese ubahirizwa

### *I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE (Ibikurikira ku rupapuro rwa 6)*

### *Inama rukokoma y'umugambwe CNDD-FDD muri komine n'intara yamune Gitega*

Inama rukokoma y'umugambwe CNDD-FDD yarabereye muri komine n'intara ya Gitega, igihe gikomeye cane mu buzima bwa politike y'igihugu. Kuri uyu w'imana igenekerezo rya 25 Nzero 2026, niho ico gikorwa gikomeye catekurwa kugira batore inzego nshasha zirongora umugambwe uri ku butegetsi mu myaka 5 iri imbere, kuva 2026 gushika 2031.

Kubwo amakuru twahakuye, vyaraboneka neza ko inzego zahahora, zirongowe n'umwubahwa Révérien NDIKURIYO, hamwe n'icegera ciwe, Cyriaque NSHIMIRIMANA, basubiye gutorwa kw'isonga ry'umugambwe, bikerekana ko bamenyekanye kandi bizewe n'abanywanyi b'umugambwe. Kuri ubwo, Révérien NDIKURIYO azobandanya ari mu cicaro ciwe gikomeye nk'umunyamabanga mukuru w'umugambwe CNDD-FDD, ari kumwe na Cyriaque NSHIMIRIMANA, nawe nyene azoba afise igikorwa gikomeye nk'icegera c'umukuru w'umugambwe. Twomenyesha ko abamenyesha makuru batari bake bataronse uburenganzira bwo gushika muri iyo nama ikomeye cane yabaye mw'ibanga, irimwo abamenyesha makuru bake cane. Twomenyesha kuva umugambwe CNDD-FDD ushitse ku butegetsi, umwubahwa Révérien NDIKURIYO ariwe wambere atwaye ibiringo 2 kuva CNDD-FDD yemewe nk'umugambwe, ivyerekana intambwe ntibagirwa kandi yorohereza ibandanya rya politike yubatswe n'umugambwe.

## *I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO*

### *Inzu yaturiwe muri komine Rutana mu ntara yaBurunga*

Kuwa 20 Nzero 2026, ku mutumba Shoti, abantu batamenyekanye baraturiye inzu ku mutaga,mugihe nyeneyo Jonas, hamwe n' umugore wiwe, Emelyne, atari ho bari. Ivyari mu nzu vyose vyarahiye biratokombera. Amatohoza yaratanguye kugira hamenyekane abakoze ako kabi kabishe.

### *Ubusuma bwo mu mirima muri komineRuyigi mu ntara ya Buhumuza*

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kw'igenekerezo rya 24 Nzero 2026 ivuga ko muri komine Ruyigi, intara ya Buhumuza, ubusuma bwo mu mirima bubangamiye abanyagihugu bo ku gacimbiri Bikinga, umutumba Busuma wo muri iyo komine.

Kubwo abahaba,ubwo busuma bwibonekeje cane kuva aho bugururiye ikambi nshasha y'impunzi z'abanyakongo kuva mu kwezi kwa Kigarama 2025. Iyo kambi yari kwakira abantu 20 000 ariko ubu irimwo impunzi zirenga 70 000.Imirima y'ibijumbu, imyumbati, itomati hamwe n'imboga niyo ibangamiwe cane n'impunzi.

Abanyagihugu basaba intwaro gufata ingingo zo gukingira ibintu vyabo kandi bagatinya ko ubwo busuma bushobora gushika mu mazu yabo bigatuma umutekano wabo uhungabana.

## *I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO*

### *Ubunyonyezi bw'umuyobozi w'ishure rikuru rya komine Mwaro, mu ntara ya Gitega bw'amahera yatanzwe n'abanyeshure yo kugura imashini isohora ivyanditse*

Kuwa 21 Nzero2026, umuharila ITEKA wararose amakuru avuga ko amahera ashika 5 000 FBU yatangwa n'umunyeshure umwe umwe kw'ishure rikuru rya komine Mwaro I kuva mu ntango y'umwaka w'ishure2025-2026. Kubwo amasoko yaho,ivyo vyabaye inyuma y'inama yahamagajwe n'umuyobozi w'iryo shure Celestin Nduwimana, imbere y'abavyeyi b'abanyeshure, mu ntango y'umwaka w'ishure.

Ico gitigiri,nk'uko babivuze, cari kigenewe kugura imashini isohora ivyanditse y'ishure isanzwe ifise imashini yandika. N'aho biri uko,iyo mashini ntiyigeze igurwa n'umuyobozi yakoresheje ayo mahera mu kurima umurima w'uburo uri mu kivi kiri inyuma y'ishure. Kubwo ayo makuru yacu, uwo murima bawurimye afadikanije na inarume,Ciza Athanase, yahoze ari umukuru mu biro vya buramatari w'imwaro mu ndinganizo ya kera. Uwo ciza ubu ari mu mabanga y'ubukuru bw'igisata c'inyubako iMwaro. Twokwibutsa ko uwo murima imbere yaho warimwa n'ishirahamwe ry'abigisha b'iryo shure, bari basavye umwenda muri Coopec. Umuyobozi w'indero mu ntara ya Mwaro muri ico gihe yarabahagaritse kuharima yemeza ko hegukira ishure, ibitigeze biba.

### *Ugusubiramwo urutonde rw'abantu batararonka umwavu w'ikizungu hamwe n'ukuraba ko bihura n'udupapuro bari baratanze*

Du Kuva kuwa 13 gushika kuwa 19 Nzero 2026, ibarugwa ryarakozwe ku mitumba ya komine Karusi, iri hagati mu ntara ya Gitega. Intumbero y'ico gikorwa ni iyo kubarura abantu basavye umwavu w'ikizungu batigezwe bawuronswa muri ibi bice 3 vy'irima biherutse.

Uwanditswe wese yari afise igikorwa co gutanga amakuru y'uko indimiro yiwe ingana hamwe n'igitigiri c'imifuko y'umwavu yamaze gusaba. Kubari bipfuza gusubira kugura bushasha, itegeko rishasha rivuga ko bategerezwa gutanga amahera yose y'ibanze hanyuma akaronswa agapapuro, mugihe ubwa mbere bamuha igitasi. Amaku dukurayo amenyesha ko hari amakenga menshi mu banyagihugu bashizemwo umutahe bakaba batigeze baronka inyishu gushija ubu. Abo barimyi buzuye amadidane, baribaza uko uwo mwabu basavye mu bice 3 ntuboneke, iyo bizoherera. Kugira bemeze ko atabusuma bwigeze buba, bategerejwe gusubiza ubutasi bwa kera. Abakozi bajejwe ibarura mu kugerageza ku baremesha, babwiye abarimyi ko bazoronswa umwavu wabo w'ibice vyaheze hamwe n'uwo mu gice c'irima B, bariko baratanga ubu. N'aho biri uko, umwiheburo mu banyagihugu urabandanya, abarimyi barataye icizere kubera ukwemera ibintu ntibabishitse.

### *Ubunenge mw'iyandikwa ry'abashaka kwinjira mu gisiriiare muri komine Kirundo mu ntara ya Butanyerera*

Kuwa 20 Nzero 2026, ku kibuga Bushasha co muri komine Kirundo, igikorwa kurobanura abashaka kwinjira mu gisirikare (FDN) carakozwe. Ariko igitigiri cari citezwe c'abantu 485 nticakwiye, habura abantu138. Abasirikare bari mw'ikambi ya Mutwenzi barazungurutse mw'isoko ya Kirundo hamwe no mumahwane y'amabarabara, bahamagarira urwaruka kugenda kwiyandikisha. Abiyandikishije batavyiteguriye, barenga 138 batwawe n'ingendeshwa ahantu n'ubu imiryango yabo itaramenya. Iyo miryango yarashikirije amakenga ifise mu gisirikare c'igihugu kuvyerekeye ivyabaye ku bana babo, ariko ubutegetsi muri komine nta nyishu n'imwe bagitanga. Twomenyesha ko ukwinjiza vyategerezwa kuba hisunzwe ubushake hamwe n'ugukunda igihugu ku winjira wese, ariko atari ku gahato.

## *I.3. UMWIHWEZO WA POLITIKE (Ibikurikira urupapuro rwa8)*

### ***Abakozi mu ma zones y'intara ya Burunga bahagaritswe hadakurikije amategeko***

Intara ya Burunga ubu iriko ica mu bihe bikabije vy'ihungabana ry'imibano kubera ihagarikwa ry'abakozi baheruka kuronka akazi.Inyuma y'amezi 4 barose akazi, abo bakozi ubwambere bahora badafise akazi canke umushahara, vyateye amatenga, agashavu hamwe n'akarenganyo kubo vyega ndetse no kubategetsi benshi bo muntwaro. Abo barashikiriza amakenga yabo kuri kazoza k'abo bakozi bahagaritswe, kandi bagasaba ko bosubiza mukazi abafise ubushobozi mu gisata c'indero, kitagira abakozi babifitiye ubushbozi mu mihingo imwe imwe mu ntara ya Burunga.

Ico kibazo nkoramutima cabaye intumbero nyamukuru y'inama yabaye ku musi wa mbere 19/01/20026, irongowe n'umushikiranganji wa mbere Nestor Ntahontuye, yarimwo indongozi hamwe n'abegwa n'ico gisata, harimwo buramatari w'intara ya Burunga.

Muri iryo huriro,buramatari Parfait Mboninyibuka yemeje ko benshi mu bakozi bari barose akazi mu ma zone ubwambere bari abariko barasaba akazi. Yaradomyeko ko abarongozi bo mu ntara barondeye gukinga ihungabana ryose mu gisata c'indero akibutsa ko ubuzi bwo muntwaro kenshi bikora ku bakozi bo mu bushikiranganji bw'indero iyo bikenewe. Ariko rero, buramatari yaremeye ko iyo ngendo itabuze ingorane. Ku bwiwe, kungururiza ahandi abakozi ba kera bakava mu ntara zahahora, amakomine hamwe n'amazone vyahuye n'ingorane :abenshi muribo bari mu vyicaro bidahuye n'ivyo bize,bigatuma bigorana kuja mu buzi bushasha bwo mu ntwaro. Hejuru y'izo ngorane z'ubuhinga, amakuru dukura muri CNDD-FDD arashira ahabona urundi ruhande rw'ico kibazo. Mu ntara ya Burunga, abakozi nka bose b'ama zone bahawe akazi bari abakikarondera, bagwiriye mwo abanywanyi ba CNDD-FDD.

Kubwo ayo masoko, umunyamabanga w'umugambwe uri ku butegetsi mu ntara, Sylvain Nzikoruriho, yoba yarashatse gutanga amahirwe ku banywanyi benshi bamaze igihe batagira akazi ariko ivyo ntivyashobotse kumvo yo kwubahiriza amategeko agenga itangwa ry'akazi yashizweho na Reta. Mugabo, amategeko ya Reta yari atomoye : gushira imbere ugusubira mukazi abahoze bakora mu zahoze ari intara, amakomine, amazone, imbere kwiyumvira gutanga akazi kuri bashasha batagira inomero z'akazi ka Reta. Ukutubahiriza iyo ngendo uyu musi biboneka nk'imwe mu mvo nyamukuru yatumye haba ihagarikwa ryihuta ry'abo bakozi. Mu nama yo kuwa 19 Nzero 2026,umushikiranganji wa mbere Nestor Ntahontuye yarasubiriye kwemeza ashimitse umurongo Reta ikurikiza. Yarashimangiye ko imbere yo gutanga akazi kuri bashasha, ko bategerezwa gusubiza abakozi bari basanzwe bafise ivyicaro mu ndinganizo ya kera, hakurikire kongereza ibitigiri ahaboneka ko bikenewe. Uwutwara Reta ,asanzwe azi icuka kibi hamwe n'akababaro mu kibano katewe n'iryo hagarikwa, yashikirije ko amategeko abigenga yariko arategurwa kandi ko mu misi azoshirwa ahabona kugira akurikirane neza ivyo ubuzi hamwe no gushiraho abakozi. Ku rubuga, ukuvyivangamwo kw'abantu vyabaye ndanse. Mu makomine amwe amwe, bivanye n'ubukene bwokora amakara bugata buri muri abo bakozi no mu miryango yabo, indongozi zaho zafashe ingingo yo kubaha imfashanyo idasanzwe y'amahera 100 000fbu, mu kurindira ko babarenganura mukubaha imishahara yabo.

Abakozi benshi bahagaritswe, abakozi bo munzu, bavuga ko bahevye ubuzi bwo mu gisata cigenga, mu kwizera ko bagiye kwinjira mu kazi ka Reta bace baronka inomero y'akazi, ikimenyetso c'ugushikama hamwe n'umutekano. Uyu musi bavuga ko kazoza kabo kononekaye kandi icizere bakibakuyemwo. I Burunga, ihagarikwa ry'abakozi mu ma zone si ikibazo c'intwaro gisanzwe. Ivyo bisigura ibihengeri vy'intwaro mw'itangwa ry'akazi, abagakeneye bo mu kibano, hamwe

## I.3. UMWIHWEZO WA POLITIKE (Ibikurikira ku rupapuro 9)

n'ukwihuta kw'intwaro ikorera ku mategeko no bishobisho. Abanyagihugu barindiriye ingingo ziboneka, zinganisha kandi zinyaruka z'indongozi kugira bakinge ko iyo ngorane itosiga imvune ikomeye mu kibano.

# II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE

## II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA

### II.1.1. UBWICANYI

#### II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'ABICANYI BATAMENYEKANYE CANKE IBIZIGA VYATOWE. URWARUKA RW' IMBONERAKURE

***Itorwa ry'ikiziga muri komiune Mwaro mu ntara ya Gitega***

Umugabo afise imyaka yababa 70 yitwa Kakana Cyprien wo ku mutumba Buburu,

Muri komine Mwaro yo mu ntara ya Gitega, yatowe ikiziga ku musi wa mbere 19/01/2026. Ikiziga catowe mu kinogo cimbwe n'amazi atemba kuri uwo mutumba nyene. Yarahambwe inyuma y'umutaga wo kuri uwo musi. Babiri bo mu bahungu biwe Eric Kubwimana na Vincent Ndayiziga barahagaritswe kuri uwo wa mbere nyene kuwa 19/01/2026, mu birori vyo gukaraba. Ubu bari mw'ibohero rya komisariya y'intara y'igipolisi c'i Mwaro kumvo z'amatohoza.

Amakuru ava kuri uwo mutumba avuga ko imigenderanire hagati y'abo bahungu 2 hamwe na nyina wabo ku ruhande na se wabo ku rundi ruhande itari myiza. Abo bahungu 2 basaba kuva kera se wabo kugurisha itongo ry'umuryango kugirango abahe amahera yo kwiyunguruza kugira baje kurondera akazi i Dubaï, ivyo se wabo atemeye mugihe itongo ry'umuryango ritaragaburwa kuva ku rugero rwa sekuru. Ababibonye bemeza ko nyene kwitaba Imana yatowe ikiziga mw'ico kinogo, yakubiswe kw'izosi hamwe no ku nda ariko igitanganje, impuzu yari yambaye ntakimenyetso nakimwe c'amaraso cariko. Vyongeye, abo bari bicaranye mu bunywero kuri uyo mutumba nyene ku mugoroba wo ku wa mungu igenekerezo rya 18/01/2026 bavuga ko yari yambaye ikoti y'ibara ryera kandi inkuru ziva kuri uyo mutumba zivugako atashitse muhira iryo joro. Ariko igihe yatorwa yapfuye, turetse ko impuzu ziwe zitariko amaraso, yari yambaye ikoti y'ibara ryirabura icatumye bibaza ko yoba yiciwe ahandi, impuzu ziwe zoba zarahinduwe kandi ko ikiziga ciwe cajanywe mu kinogo kugira bahuvye amatohoza.

***Ikiziga catowe muri komine Bugendana mu ntara ya Gitega***

Kuwa 19 Nzero 2026, hafi igihe c'isaha 11,ku gacimbiri Kavumu, umutumba Runyeri, Zone Bitare, komine Bugendana, intara ya Gitega,umugabo w'imyaka 61,umupfakare yitwa Nzuguru Prudence, yaratowe ikiziga munzu yiwe yaturiwe. Kubwo inkuru twarose uyo muntu ava mu muryango w'abatwa, kenshi yaragirizwa ubusuma. Uwo musi abahaba ntibigeze bamubona ahoumuriro waduka.Ariko umuriro ntiwatevye kuzima, kubera abahaba baciye babanguka kuwuzimya, nkuko biboneka ko inzu imwe vyegeranye yafashwe ariko yazimye ningoga. Iryo soko nyene ryamenyesheje ko ababa kuri uwo mutumba bamwagiriza ubusuma mugihe abamwegereye ku ruhande rwabo bamwagiriza uburozi. Naho ivyo vyabaye vyamenyekanye, inyamiramabi, Niyongabo Eric, yarigije kure ivyo vyagiriji. Bamushinguye uwo musi nyene. Vyongeye, abahaba bamwe bamwe baramenyesheje inyamira mabi ko uwo yapfuye yoba yaranigiwe munzu yiwe imbere y'uko iturirwa. Inyamira mabi nta numwe yahamagaye kugira ikore amatohoza naho hari amakenga ku rupfu rw'uwo muhisi.

### *III.3. UBURENGANZIRA KU NDERO*

***Abanyeshure bitaba ibikorwa vya politike mw'ijoro i Makamba, mu ntara yaBurunga***

I Makamba, mu ntara ya  Burunga, hari amakenga menshi mu  bavyeyi n'abanyeshure b'ishure ry'ubuhinga bw'uburimyi (ETMA), riri ku murwa mukuru wa komine  Makamba. Abanyeshure bo kuri iryo shure, rikukira ishengero y'aba  Libre Méthodiste, baranegura ibikorwa babona ko birenza urugero : kuvanwa mu vyigwa ,kenshi na kenshi mw'ijoro, kugira bajanwe  mu bikorwa vy'umugambwe  CNDD-FDD.

Kubwo intahe zatororokanijwe mu banyeshure, uko guhimirizwa si bishasha. Bemeza ko bama bajanywe mu bikorwa vy'umugambwe, haba i Makamba canke mu zindi ntara, kugira baje mu ngendo z'umunezero. Ariko ivyabaye mw'ijoro ryo ku musi wa gatanu no ku wa gatandatu uheruka birahebuje, ku bw'abo,ni ikintu giteye amakenga. Hafi igihe c'isaha  zo mu gicugu kuwa 17/01/2026, umwigisha wo kw'ishure ry'ubuhinga Makamba « ETMA », Dieudonne Irakoze, yoba yaraje mu buraro gutora abanyeshure yongere abajane mu bikorwa vya politike vyari bitegekanijwe kubera i Gitega. Ingendo yoba ubwonyene yarahagaritswe n'umuyobozi w'ishure, Isaac Maniriho, yibutsa ko bibujijwe  gusohora abanyeshure mu buraro ayo masaha. Bamubajije kuri iyo ngingo, uwo mwigisha yoba yemeje ko akurikiza ivyo yabwiwe n'umunyamabanga mukuru w'umugambwe CNDD-FDD ku rwego rw'igihugu, Reverien Ndikuriyo. Umuyobozi yoba yasavye icemezo kivuye kuri iyo ndongozi, kitbonetse ntiyemere kubatanga. Kubwo ayo masoko nyene, uwo mwigisha yoba yaragarutse azananye na Leonard Ndayegamiye, umupolisi wo muri komisariya  y'igipolisi ca komine Makamba, azwi nk'umuntu akomeye mu guhimiriza urwaruka rw'umugambwe uri ku butegetsi. Uwo yoba yarategetse umuybozi ko atoburabuza ibikorwa vya Leta. Kubera agahato, umuyobozi  yoba yaruhiye kwemera kubarekura, adasavye urwandiko ruvuye ku babiteguye. Abanyeshure boba kuva ubwo baciye burizwa ingendeshwa muri iryo joro, bagana i Gitega, kugira bitabe ibikorwa vya CNDD-FDD. Iyo abanyeshure bamwe bazi ko izo ngendo ziriho kuva kera, abavyeyi hamwe n'abanyeshure  bidogera hamwe kubona bikorwa mw'ijoro kandi ku gahato. Benshi bashavuzwa n'uko abana bakurwa kw'ishure imiryango yabo. mugihe bafata ko bari mu mutekano mu buraro.

Amakenga yabandanije aba menshi ku vyerekeye abanyeshure b'abakobwa, kenshi aribo benshi muri izo ngendo zo mw'ijoro, atawubajejwe akuze. Abavyeyi n'abanyeshure baribaza :  bafashwe ku nguvu, isanganya canke imbanyi, vyobazwa nde ? I Makamba, ico kintu kirateye ibibazo bikomeye kuvyerekeye ugukingira abanyeshure, ukubaha igisata c'amashure, cane cane mu mashure ari mu minwe y'amashengero, hamwe n'ikibanza c'ibikorwa vya politike mu mashure.

*Uwo uri wese ubahirizwa*

## *II.1. UBURENGANZIRA KU MAGARA(Ibikurikira urpapuro 11)*

### ***Ikiziga caratwe muri komine Gishubi mu ntara ya  Gitega***

Ku musi wa mbere 19/01/ 2026, hafi igihe c'isaha 4 z'ijoro, ku mutumba Mahonda, muriZone Kavumu, komine Gishubi, intara ya Gitega, uwitwa Nyambuga Gérard, umusore w'imyaka 53, umuhungu wa Ndabahagamye Gervais na Ntabangana Rénathe (Mutwa), yaratowe ikiziga, ariko umugozi mw'izosi, amanitse ku giti c'ivoka. Kubwo amakuru dukurayo, banuganuga ko ari ubwicanyi, bukwirikiwe n'ivyo kugira bahuvye amatohoza. Ikiziga cari kimanitse kw'ishami ryavunitse ry'igiti.

Ivyo vyemezwa n'ibikomere biboneka ku mugongo no ku maboko, bigatuma bemeza ko umuhisi yoba yaragerageje kwirwanira imbere yo kuboherwa kuri ico giti. Izindi ntahe zigana ko umuhisi yari agendana ubumuga bwo mu mutwe kuva kera,bakaba banamwagiriza ubusuma mu kibano.

### ***Ikiziga caratowe muri komine Ngozi mu ntara ya Butanyerera***

Ku musi wa gatatu 21/01/ 2026, ku mutumba Burengo, umuntu yitwa Nduwayo, umusore, yaratowe yapfuye ku mutumba Burengo, muri komine Ngozi, mu ntara ya Butanyerera. Ikiziga ciwe cai gifise ibimenyetso vyo kubora, naririya hari haciye hafi indwi 3 yarabuzwe irengero. Kubwo amakuru ava muri zone Buhiga, aho ikiziga cari, uwo muntu ntiyari akibana na nyina, yari yarahukanye arasubira kwubaka. Uwo yarose ubuhungiro mu nganda, aho yarara. Nyina wiwe hamwe n'uwo bubakanye barabajijwe kumvo z'amatohoza. Inyamiramabi, Nishirimbere Gilbert, yategetse ko ikiziga gihambwa ku musi ukurikira.

## *II.1.1.2. ABANTU BISHWE KUBERA UKWIHORAHORANA*

### ***Umukore w'imyaka 52 yicishijwe imipanga mu Nyabihogo, komine Kanyanza, mu ntara ya  Butanyerera***

Inkuru umuhari Iteka warose kuwa 22 /01/ 2026 ivuga ko kuwa 16 Nzero 2026, umugore w'umupfakazi afise imyaka 52, azwi ku mazina ya Ngendakumana Sylvane, avuka ku mutumba Nyabihogo, uri muri zone Nyabihogo muri komine ya Kayanza, yaricishijwe umupanga atemwe na Nyandwi Léonidas na Niyibizi Alexandre, bo mu muryango w'umuhisi. Kubwo amakuru ava ku mutumba Nyabihogo, amatati y'itongo niyo yateye ubwo bubisha. « Uwishwe hamwe n'abikekwa ko icaha c'ubwo bwicanyi bari mu mburane z'amatongo, kandi rwari rwarashitse imbere ya sentare nkuru yo mu Kayanza. »Ikiziga c'umuhisi catowe n'abahita mu gitondo co kuwa 20/01/2026.

Kubwo ibivugwa n'abarongozi muri zone Nyabihogo Nyandwi Léonidas na Niyibizi Alexandre barafashwe barashirwa mw'ibohero rya komisariya ya polisi yo mu Kayanza kumvo z'amatohoza y'ubutungane. Umubanyi w'umuhisi, yitwa Ciza, yari yasangiye akarahuri nawe ku mugwa mukuru wa Nyabigati, nawe nyene yarahagaritswe. Umuryango w'uwishwe usaba ko amatohoza yokorwa vyihuta kugirango abakoze ako kabi kabishe bahanwe hisunzwe itegeko.

### *II.2. UKWITWARARIKANA MURI VYOSE*

### *II.2.1. UGUFATWA KU NGUVU*

#### *Umugore yafashwe ku nguvu muri komine Rutana, intara ya Burunga*

Kuwa 21/01/ 2026, ku mutumba Matutu, Zone Gitaba, komine Rutana intara ya Burunga, Christian Nifasha afise imyaka 17 yarafatanywe itonga ariko afata ku nguvu umugore w'imyaka 70 atubatse yitwa P.N. Uwikekwa ko icaha yarahagaritswe aca arajanwa mw'ibohero rya komisariya ya komine Rutana.

#### *Umwana w'umukobwa yarafashwe ku nguvu muri komine Muramvya, intara ya Gitega*

Kuwa 20 /01/ 2026, ku mutumba Rwuya, muri Zone Mbuye ya komine Muramvya, umukobwa w'imyaka 14 yarafashwe ku nguvu. K. A, umunyeshure wo mu mwaka w' 8 kw'ishure shingiro Rwuya, yarafashwe ku nguvu n'uwugendesha i pikipiki yitwa Niyokindi Richard, afise imyaka 32, umunywanyi w' Imbonerakure za Cndd-Fdd. Vyabaye hafi igihe c'isaha 1 y'umugorooba, mugihe uwagize ivyag yari avuye amakaye uwo bigana. Yahuye n'uw muntu yamusavye ko yonywa ikiyeri kukaguriro k'iRwuya, kari hafi ku metero 500 zo muhira. Munyuma, yaramwunguruje, ariko aho kumutwara imuhira,yarahinduye inzira imenyerewe. Ashitse imbere y'agashamba, yaramuturubitse ngo amwegere aca aramufata ku nguvu. Ahejeje, yamushikanye hafi yo muhira, hanyuma uwo yaravyiganiye abavyeyi. Baciye bamujana ku kigo c'ubuvuzi vy'i Rwuya bukeye bwaho, aho ibipimo vy kwa muganga vyemeje gufatwa kunguvu. Kubwo amasoko yaho, uwakoze icaha amaze kumenya ko ariko aronderwa ,yarahunze kandi n'ubu ntaraboneka gushika ubu.

#### *Umukobwa yatewe inda n'umwigisha wiwe mu Kabezi, muri komine Mugere mu ntara ya Bujumbura*

Inkuru yashikiriye umuhariye umuhariIteka kuwa 23/01/2026 ivuga ko umwigisha apfungiwe mw'ibohero rya komisariya ya komine Mugere kuva kuwa 16 Nzero 2026.

Uwo mwigisha yigisha kw'ishure shingiro rya KABEZI I, yitwa Denis kandi aba ku mutumba KABEZI, ku kirindiro c'abateshejwe izabo kiri kuri uw mutumba nyene, komine Mugere, intara ya Bujumbura. Yagirizwa yakoresheje igikenye kubera ububasha amufiseko aca atera inda umunyeshure yafasha gusubiramwivyigwa ku mugoroba, Uwo munyeshure yitwa D.A kandi yiga kuri iyo shure nyene, mu mwaka w'8. Gushika ubu, ntarubanza rwo mubutungane ruratangura. Imikenyuro yokumubohoza iriko iriko iraba .

#### *Abana b'abakobwa 3 barafashwe ku nguvu ku mitumba ya Rusenda na Masango, komine Bukinanyana, mu ntara ya Bujumbura*

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 22 Nzero 2026 ivuga ko kuva kuwa 10 gushika kuwa 14 Nzero 2026, abana b'abakobwa 3 bafise imyaka kuva kuri 7 gushika kuri 12 barafashwe ku nguvu ku mitumba Rusenda na Masango, muri komine Bukinanyana, intara ya Bujumbura. Haciye indwi 2 bibaye, imiryango iramenyesha ikubagurwa, itotezwa hamwe n'icuka c'ukudahaba bibabuza gushikira ubutungane, mugihe abakorewe amabi bose ari abana ba nyarucari. Kubwo amakuru dukurayo, 2 bo mubagize ivyag boba batewe mugihe bariko barasenya, mugihe uwa 3 yoba yafatiwe ku nguvu ariko aja kw'ishure. Kubona abana barashoboye kuronka ubufasha bw'ubuvuzi, abikekwa ko icaha ntibabaye umwanya, bamwe barahunze abandi bararekuwe bahejeje kubazwa. Imiryango, iva ahantu hagoye, yemeza ko ikorerwa iterabwoba ribabuza gikwirikira inzira z'ubutungane. Ivyo bizana ubwoba n'agacerere, biboneka

## *II.2. UGUSHIRANAKO MURI VYOSE (Ibikurikira ku rupapuro rwa13)*

ko bihushanye n'uburenganzira ntayegayezwa bw'abana, nk'uburenganzira bwo gukingirwa amabi yose, bahabwa n'amategeko y'igihugu na mpuza makungu. Ababanyi bashikiriza ko ukudahana bibandanya, kandi bahamagarira abarongoye ubutungane gukora bivuye inyuma. Basaba amathoza yigenga, gukingira abononywe hamwe n'imiryango yabo, mbere no gukwirikirana biboneka abikekwa ko ivyaha.

Hejuru y'ivyo, urwo rubanza ruratuma bibaza uruhara rwa Reta mu kuronsa ituze abana. Ku ronsa ubutungane abo bana, si uguhana abakoze icaha vyonyene,ariko kandi ni ukwemera koo gukingira abana bibwirizwa kuja hejuru y'ibintu vyose vyo mu mibano na politike.

### *Umwana w'umukobwa yarafashwe ku nguvu mu Mugamba, komine Matana, intara ya Burunga*

Inkuru umuhari Iteka warose kuwa 24 Nzero2026, ivuga ko kuwa 16 Nzero 2026 umukobwa yitwa I.C afise imyaka 15, umunyeshure wo mu mwaka wa 5 kw'ishure shingiro HIMBURE riri ku mutumba na zone Vyuya mu Mugamba muri komine Matana mu ntara ya BURUNGA yarafashwe ku nguvu aranaborezwa igufa hafi igihe c'isaha 10 n'igice z'inyuma y'umutaga.

Kubwo intahe twatororokanije, uwo yagize ivyago bamwononeye mu gitara caho mu COGO, aho yariko arasenya kuri uwo mutumba yononwa n'umupolisi yambaye umwambaro yitwa Ntiranyibagira Jean Claude akorera mu Cogo. Ayo makuru aremezwa kandi n'umukuru wa zone Vyuya yemeza ko abatware bo ku mutumba, abavyeyi b'uwo mwana hamwe n'ababanyi batewe akamo n'abandi bana 2 nabo nyene bariko barasenya batwaye uwo mwana ku kogo c'ubuvuzi mu Vyuya caruhiye gufata ingingo yo kumwungururiza ku bitaro vy'akarere vya Matana bamaze kubona amagara yiwe uko yifashe. Kuri ivyo bitaro aho haciye indwi arwariye, amakuru dukurayo avuga ko adashobora kwicara kubera ububabare yagize mu bihimba vy'irondoka. Abavyeyi biwe hamwe n'ababanyi biwe basaba ko uwo mupolisi yohanwa hisunzwe itegeko.

Gloriose Niyubahwe, musitanteri wa komine Matana ari kumwe na Colonel Venant Barumbanze komiseri arongoye amakomine ya Bururi na Matana yemeza ko uwo mupolisi yahagaritswe akongera agapfungirwa mw'ibohero ry'igipolisi mu Mugamba kumvoo z'amatohoza.

### *Umwana yafashwe kunguvu ku mutumba Muturirwa, zone Minago, komine Rumonge, intara ya Burunga*

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 23 Nzero 2026, ivuga ko kuwa 17 Nzero 2026,ku mutumba Muturirwa, zone minago, komine Rumonge intara ya Burunga, agakobwa kitwa A.E, k'imyaka 6 ko kuri uwo mutumba karafashwe ku nguvu na Ndayisaba Prosper afise imyaka 15,umukozi wo munzu avuka mu ntara yaButanyerera, Ngozi, Kiremba. Yari amaze amezi 6 muri ako kazi ko munzu. Amasoko yaho, avuga ko yikitse mu kiza kubera abavyeyi atariho bari abona gukora ako kabi. Uwo yononywe yarajanywe ku bitaro vy'iBitare hanyuma ku kigo Humura co mu Rumonge kugira akingirwe ingwara. Kuvyerekeye inkozi y'ikibi, apfungiwe mw'ibohero rya komisariya y'igipolisi mu Rumonge.

Uwo uri wese ubahirizwa

## *III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI*

### *Ingorane z'ubutunzi mu gacerere zirazingamika imiryango yose mu ntara ya Burunga*

I Burunga,abakozi bo mu ntwaro,bari mu makomine hamwe no ku rwego rw'intara, bari mu kababaro ntangere y'ubuzima busigaye bugoye. Haciye amezi 6, bamwe muribo bavuga ko bakora badahembwa, kubera harabayeho impinduka mw'itunganywa ry'intwaro.

Iyo ngorane mu ntwaro i Burunga irakomeye. Abakozi bo mu makomine atandukanye hamwe n'abakora mu ntara bigana ko haciye amezi 6 badahembwa, ibituma imiryango myinshi iba ntahonikora. Batomora ko ivyo bikorako cane cane abahoze ari abahanuzi mu ntara imbere y'impinduka, imishahara yabo yahora iva mu biro vy'umukuru w'igihugu. N'aho babashize mu buzi ku mugaragaro kuwa 8 Myandagaro 2025, imishahara yabo yoba yarahagaritswe kuva kuwa 3 Mukakaro, umusi ababuramatari bashirwaho, mugihe bobo bagumye bakora. Bamaze gusubizwamwo, bamenyeshejwe ko ubushikiranganji bw'abkozi ba Leta aribwo buzoba bujejwe imishahara yabo, ari uko barungitswe n'ubushikiranganji bahoramwo. Baravuze ko bubahirije iyo nzira.

Ariko, haciye amezi 6, ntibigeze bahembwa. Bamwe baribaza: « Ni gute hoca amezi atandatu adahembwa kandi abwirizwa kugaburira umuryango wiwe akongera akubahiriza amategeko y'akazi ? »

Abandi bakozi ,naho ubu bakora mu bushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu, bakironka imishahara yabo mu bushikiranganji bahoramwo. Bafise amakenga ko imishahara yabo yosubizwa, nk'uko vyigeze kuba ku bakozi barungitswe bava mu bushikiranganji baja mu bundi, ivyahungabanije ubuzima mu mibano. Vyongeye, abakozi baheruka guhabwa ubuzi mu bisata bitandukanye bagaca bakurwa mu kazi bararajwe ishinga na kazoza kabo. Baributsa ko bashizweho n'abahanuzi ba komine hakurikijwe amategeko kubera babishoboye kandi basaba umushikiranganji wa mbere Nestor Ntahontuye kwiyumvira kw'isubizwa mu kazi ryabo, cane cane mu gisata c'indero ku bafise impamyabushbozi zisabwa, cane cane kubamaze amezi menshi bakora badahembwa. Mukubishura, umushikiranganji wa mbere yaremeye ko izo ngorane zavuye ku ndinganizo nshasha y'intwaro, yagoranye kuja mu ngiro. Yarahumurije abakozi batigeze bahembwa ,mukwemera ko ibibazo vyabo biriko birashirwa ku murongo kandi « bose bakorera Leta kandi ntibazibagirwa ».

### *Ugutakamba inyuma yo kubura ifumbire yo mu bwoko bwa NPKA i Matongo, mu ntara ya Butanyerera*

Abarimyi b'ikawa muri zone Gatara ya komine Matongo intara ya Butanyerera baratakamba kubera kubura ifumbire yo mu bwoko bwa NPKA yo gushira mu mirima yabo y'ikawa. Bamwe muri abo barimyi bavuganye n'isoko ryo muri ako karere bavuga ko haciye imyaka irenga2 batarose iyo fumbire.

Abo barimyi baridoga kandi kubera kubura imiti yo gupompa aho bavuga ko imiti mikeya yari ihari yahawe abanywanyi b'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD ku ntonde zagizwe n'urwaruka rw'Imbonerakure.Baranegura ukubura iyo fumbire n'imiti y'ikawa kandi bagabisha ko bazonarandura imirima y'ikawa bagatera ibindi biterwa mbumba rugo vyunguka gusumba ico giterwa njabuka amazi kitanabagirira akamaro uravye uburyo bwinshi bakoresha mu kucitaho.

Imyidogo nk'iyo irumvikana kandi mu barimyi b'icayi bo mu mazone atandukanye ya komine Kayanza muri iyo ntara nyene ya Butanyerera bavuga ko haciye imyaka irenga 3 OTB Rwegura itabahaye ifumbire.

### *III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI (Ibikurikira ku rupapuro rwa 14)*

Abarimyi b'ikawa co kimwe n'abicayi babona ko Leta y'uburundi itera ikura akarenge mu biterwa njabukamazi mu gihe ariyo yunguka gusumvya abarimyi. Baranegura kubona abarimyi nka bose babayeho mu bukene buzura inzara.

### *III.2. INTERERANO ZO KU GAHATO UMUGAMBWE URI KU BUTEGETSI CNDD-FDD WAKA ABANYAGIHUGU*

#### *Intererano z'umugambi wo kwubaka ingoro ya CNDD-FDD muri komine Kirundo mu ntara ya Butanyerera*

Kuwa 5 Nzero 2026, muri Zone Kigoma ya komine Kirundo, mu ntara nshasha ya Butanyerera, harabaye inama yo guhimiriza mu mugambwe CNDD-FDD, irongowe na Ndihokubwayo Jean Berchmans, umunyamabanga w'umugambwe muri iyo zone. Kubwo amakuru yaho,umunyamabanga yerekanye umugambi wo kwubaka ingoro y'umugambwe CNDD-FDD. Mw'ijambo ryiwe, yamenyesheje ko urugo rwose rutegerezwa guterera bivanye n'amikoro yarwo kandi n'umurwi rurimwo. Kubwo umunyamabanga w'umugambwe CNDD-FDD ashikiriza, abadandaza batobato bazotegerezwa gutanga amahera angana 10 000fbu, mugiheabadandaza bisununuye bazotegerezwa gutanga n'imiburiburi 500 000fbu. Ku barimyi hamwe n'abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD canke iyindi migambwe migambwe, bisabwa guterera ibihumbi 20 000 FBU. Kubwo iryo soko ryacu nyene, iyo ntererano ifatwa ko itegerezwa, umunyagihugu abwirizwa kubikurikiza. Uwuvyanse wese azokubitwa n'Imbonerakure kandi ntaco azosaba uburongozi ngo akironke. Ikivyerekana, twomenyesha ibiherutse gushikira uwitwa Nduwarugira Edmond, aba ku mutumba Rugando, Zone Kigoma, komine Kirundo, intara ya Butanyerera, yashaka karangamuntu. Umukuru w'umutumba yarase kumuha urupapuro rwemeza ko ariho aba kubera atarishe intererano yasabwa ya 20 000fbu hamwe n'ihadabu rya 15 000fu, vyose bigakorwa ata gitasi bamuhaye. Ibihe vyinshi nk'ivyo biraba, ariko abo bishikira baratinya kubivuga, bagatinya kwagirizwa ukugumuka.

#### *Itozwa ry'imfungurwa ku gahato rikorwa n'Imbonerakure mu makomine ya Kirundo na Busoni mu ntara ya Butanyerera*

Kuva kuwa 5 Nzero 2026,ku mitumba nka yose ya komine ya KIRUNDO (Ceru, Ntega, Mugendo) hamwe n'i Busoni (Nyagisozi, Sigu, Marembo, Rwibikara, Gatete, Murambi), ihereye hafi y'urubibe rw'Urwanda ,imiryango itegerezwa gutanga ikiro 1 c'ibigori hamwe n'ikiro 1 c'ifu y'imyumbati kugirango begeranye imfungurwa z'Imbonerakure zatowe ngo zicungere imbibe. Abakuru b'iyo mitumba barakorana n'abakuru b'ubucimbiri kugirango bategure iryo yegeranywa, mugihe amashirahamwe ategamite Leta yamaze gutora iyo mitumba muyatewe n'amapfa, kubera ivyaduka vyononye imirima yabo kubera ihindagurika rikabije ry'ibirere. Abanyagihugu barashikiriza akababaro kabo, kubera urugo gose rwase guterera buno nyene baca bamukura ku rutonde rw'abafashwa.

### *III.3. UBURENGANZIRA KU NDERO (Ibikurikira ivyo ku rupapuro 16)*

***Abigisha baheba akazi ku bwinshi mu ntara ya Burunga***

Inkuru yashikiriye umuhari ITEKA kuwa 21 Nzero 2026 ivuga ko kuva umwaka w'ishure 2025-2026 utangura, igisata c'indero kiri mu bihe bibabaje, abigisha benshi baguma bata akazi nko mu gihugu cose. Kubwo amasoko yacu, abigisha benshi hamwe na bamwe mu bayobozi b'amashure barataye amabanga yabo aho bahora bakora. Bava aho bakora kugira baje mu mahanga kurondera ahosumba ahandi. Aho abo bigisha bagana bagana ahanini ni mu bihugu vyo muri kano karere nk'Ubuganda, Kenya n'ibihugu vy'abarabu nka Dubai na OMAR. Kubwo abaduha amakuru nyene, bavuga ko baronka imishahara atako yifashe kandi bakora mu buryo bugoye cane, ibituma badashobora kuronka ivyo bakenera ku musi ku musi. Ivyo bituma bava mu gihugu kugira barondere ubuzima bwiza.

Twomenyesha ko inkurikizi ziguma ari nyinshi n'aho utwigoro tw'ubushikiranganji bw'indero kandi amakomine yakozweko gusumba ayandi n'igitigiri gito c'abigisha ni

Matana, Rumonge na Nyanza zose ziri mu ntara nshasha ya Burunga.

---

### *III.4. UBUREGANZIRA KU MAGARA*

***Ubugenduzi bukuru bw'igipolisi c'u Burundihagarika kuvuza abapolisi***

Kuwa 20 Nzero 2026, umuhari ITEKA waramenyeshejwe ko abapolisi b'igihugu c'Uburundi batakironswa ubuvuzi n'abaganga b'abahinga bakora mu bitaro hamwe n'amavuriri akomeye yo kumugwa mukuru.Kubwo umwe muri abo bapolisi atashatse kumenyekana, haciye neza na neza umwaka urenga batakivurwa vy'akanovera n'abaganga babinonosoye kandi b'abahinga mu gisata ka naka. Kuri ivyo hiyongera ko agacerere k'ubugenduzi bukuru bwa Leta, bivugwa n'isoko ryacu. Imbere yaho, umu polisi w'Uburundi yarashobora kuvurirwa ku bitaro bifise abaganga b'abahinga nk'akarorero ibitaro vy'abasirikare vyo muKamenge, CMCK mu Kinindo hamwe na Tanganyika Care mu Kinanira.

Muri iki gihe, iyo umupolisi arwaye cane canke iyo agize isanganya, ntakironka impapuro z'ukuvurwa kugira bamwakiremuri ivyo bitaro.Bamusaba amahera y'ibanze kugira bamwakire muri bimwe ivyo bitaro twashikirije hejuru. Tukiri kw'isoko ryacu, hejuru y'agacerere k'ubugenduzi bukuru bw'igipolisi, iyo ngingo yafashwe mu buryo bwo ku munwa kuko ntibararonka ingingo yanditse kandi isiguye. Abapolisi baridoga kandi basaba ubugenduzi bukuru bw'igipolisi ko bwogira ico bushikirije kugira butange umuco. Ni mu gihe aho mu gisirikare, ubuvuzi buguma bufashwe mu ntoke n'ibiro bikuru vya gisirikare.

***Ingwara itangaje yarakirimbiye ku banyeshure amajana mu ma komine ya Gatara na Kayanza, mu ntara ya Butanyerera***

Inkuru umuhari Iteka warose kuwa 24 Nzero 2026 ivuga ko abanyeshure barenga 500 bava ku mashure atandukanye ari mu ma komine nka Gatara na Kayanza, mu ntara ya Butanyerera, barafashwe n'ingwara itaramenyekana haraciye hafi indwi. Iyo ngwara ifise ibimenyetso bisa n'ivy'agahiri, karimwo ukumeneka umutwe, ubushuhe,kujonjogora hamwe n'inkorora y'akanira kandi ibabaje. Muri ico gihe kibabaje, abarongozi b'amashure yakozweko bamenyesheje ko bashizeho ingingo zo gukinga kugira indwara ntigume irandagata. Basaba abanyeshure nko gukwirikiza amategeko y'isuku, nko gukaraba kenshi, bongera birinda kuramukanya bakoranako. Ariko rero, abarongozi b'amashure bamenyesha ko hakenewe ko bobegereza

### *III.4. UBURENGANZIRA KU MAGARA (Ibikurikira vyo ku rupapuro rw' 18)*

ubufasha bw'ubuvuzi. Barashimika ku kamaro ko kugisha ibipimo vyimbitse vyo kwa muganga kugira bamenye amamuko nyayo y'iyo ndwara, cane cane baravye uko abafatwa baguma biyongera ku musi ku musi. Abarongozi baho bo mu ma komine yakozweko bamenyesha, ku ruhande rwabo, ugutegura amanama yo guhimiriza agamije ukuntu bozitira. Batomora ko umurindi w'irandagata ry'iyo ndwara ibibutsa uwa Korona, gutyo bigatera amakenga abanyagihugu. Kubwo amakuru twarose, amashure yakozweko ahanini ni amashure afise uburaro. Abarongozi b'amashure bamwe bamwe twabajije bemeza ko barengewe n'urugero biriko kandi basaba inyishu yihuta kandi itunganijwe y'abarongozi bo mu gisata c'amagara y'abantu babifitiye ubumenyi.

### *Ukubura amazi meza muri komine Muyinga mu ntara ya Buhumuza*

Abanyagihugu bo muri komine Muyinga baridogera kubura amazi meza. Nk'akarorero kavyerekana karatiye Kibogoye y'iyo komine nyene imaze ukwezi kurenga itagira amazi ya Regideso. Kubwo isoko ryaho,ico gisata carizizіwe n'igiturire; bavuga ko abo muyandi ma karatiye bashira hamwe amahera y'igiturire c'ababijejwe kandi bama bafise amazi. Bararonka amazi n'imiburiburi imisi 2 kundwi. Ababa mu Kibogoye basaba ko ako kamenyero kabi gahagarikwa.

*Uwo uri wese ubahirizwa*

## IV. UGUSOZERA N'IBISABWA

Umuhari iteka uranegura wivuye inyuma itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya kwibonekeza mu Burundi kandi uriyamiriza ukudahana abakora amabi.Uhamagarira abatwara uBurundi gufata ingingo zose zishoboka kandi usaba ibikurikira:

**Kuri Leta y'Uburundi :**

1.Kubahiriza agateka ka zina muntu,nko mu burenganzira ku buzima,mukudahohotera hamwe n'umwidegemvyo.

2.Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana kandi abagirizwa uguhohotera agateka ka zina muntu bishure ivyo bakoze.

3.Kuronsa ubufasha bw'ibanze ,harimwo ,amazi ,amagara,indero hamwe n'ubutungane,ku banyagihugu bose.

4.Kuronsa ubufasha bw'ubutungane hamwe n'imyitwarire ku buntu abafashwe kunguvu kugira barwanye imikenyuro y'iterabwoba hamwe n'igiturire bigamije kuzingira ibintu.

5.Kugwiza ibirindiro vyo gutanga ifumbire kugira bakinge gucerwa hamwe n'ubuhinga butabereye bushira mu bihanoabarimyi bo mu ntara zitandukanye .

**Kubafasha muvyo ubuhinga n'uburyo Reta y'uBurundi harimwo NU,UE hamwe n'abaserukira ibihugu vyabo mu Burundi :**

1. Gushigikira utwigoro tw'umuhari Iteka hamwe n'ayandi mashirahamwe aharanira gukingira agateka ka zina muntu mu vyerekeye ugukwirikirana ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu mu Burundi.

2. Gukoresha ububasha bwabo mukugondoza abarongozi b'uBurundi bubahirize agateka ka zina muntu bongere basezerere ukudahana.

ubutungane.